mu vy'ukuri ata na rimwe yigeze asaba Imana Allah avuga ati: "Mana yanje Rurema! Ndagusavye Uzombabarire ivyaha vyanje ku musi w'impera

Mu vyakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: Navuze mbwira Intumwa y'Imana nti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Mwene Jud'aani, imbere y'umuzo w'ubwislamu yahora yunga ubuvandimwe, akanafungurira abakene, mbega none ivyo yakoze hari ico bizomumarira? Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze yishura iti: "Ihibambewe! Nta co bizomumarira, kuko mu vy'ukuri ata na rimwe yigeze asaba Imana Allah avuga ati: "Mana yanje Rurema! Ndagusavye Uzombabarire ivyaha vyanje ku musi w'impera""".

[صحيح] [رواه مسلم]

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yariganiye abari aho ku vyerekeye Abdillahi mwene Jud'aani, akaba yari umwe mu batware b'Abakorayishi imbere y'umuzo w'ubwislamu. Mu bikorwa vyiza rero vyamuranze, ni uko yitwararika kwunga ubuvandimwe mu gufasha abo mu muryango wiwe ku bugwaneza, akanafungurira abakene, yaranakora n'ibindi bikorwa vyiza ubwislamu bwahimirije ko vyokorwa. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yariganye rero ko ivyo bikorwa ata co bizomumarira mu buzima bw'inyuma yo gupfa; kubera ubugarariji bwiwe bwo kutemera Imana Allah, n'uko ata na rimwe yigeze asaba ngo avuge ati: "Mana yanje Rurema! Ndagusavye Uzombabarire ku musi w'impera ivyaha vyanje".

http://www.sunnah.global/hadeeth/rn/show/65009